Inama Nkuru y'Abashingantahe
Conseil National des Bashingantahe
Secrétariat Général
BP 413 Gitega

TURONDERE AMAHORO DUSHIMITSE

IJAMBO RISHIKIRIJWE N'INAMA NKURU Y'ABASHINGANTAHE

ITANGAZO N° 10

Uburundi buriko buraja buke buke mu nzira y'amahoro. Nico gituma, kw'izina ry'Inama Nkuru y'Abashingantahe, dushimiye abantu bose bita mu ziko kugira ngo iyo nzira inoge. Amasezerano yo guhagarika intambara, yabaye hagati ya Leta n'umuhari CNDD-FDD, ishami rya Petero NKURUNZIZA, turayakengurutse rwose. Ubu, biribonekeza, mu ntara nka zose z'igihugu, hariko haraboneka agahengwe, abantu bararyama bagasinzira. Ico twosaba gusa, ni uko ayo masezerano yoja mu ngiro mu buryo butomoye, hatibagiwe n'ayandi Abarundi bagiriraniye, cane cane amasezerano ya Arusha..Gurtyo, n'ayatarashobora gushikwako, ashikweko. Igikuru ni umutima. Igikuru ni ishaka.

Ariko, ayo masezerano y'uguhagarika intambara, asanze igihugu kigeze kure habi. Imitima yarasinzikaye. Abantu barihebuye. Ubu ntawugishobora gutandukanya ikibi n'iciza. Igikuru rero, nk'uko bimaze kuvugwa, kandi bikavugwa neza, ni ugusanura imitima. Kandi si ukuyisanura gusa. Ni ukuyinagura. Ukunagura rero si ukugongora gusa. Ni ugusubiza icuma mu muriro, ukamera nk'uwusubiye kugicura ukundi gusha.

Si agaseseshwarumuri, twarayoberanye. Twarabaye ibikoko biryana. Ubwicanyi bwaratse indaro mu gihugu cacu. Ubushimusi bwaraciganziye. Kandi dusigaye turusha ububisha na ca gisizimwe, gikara ariko ntikirye umwishwa. Tweho n'abishwa dusigaye tubarya. Tukabakorera amabi atari bwavugwe mu gihugu. Hari abasigaye bashurashuza ibibondo. Benshi muri bo, ntibakimenya ikizira. Umwana n'umwishwa barajaniranya, ata n'umutima utonganije abayobe nk'abo ; ababanyi batasemereye kandi batakinze. Icabagiwe co, ni abasigaye bagoka kubangana n'abavyeyi babo, ata n'isoni na nkeyi.

Ubwicanyi busigaye ari ubutwari. Umuntu, tugacisha kubuhomba. Umutama, tugatema canke tukavunagura. Umutamakazi tukajanisha. Canke tukamwiba urukombamazi, agasigara yipfumbereje. Abana bakanganzwa. Tukibagira ko « agahanga k'umuntu n'uwakaremye ». Inzego z'ubutungane zigaasendwa.

Aho rero ukudahana ivyaha kutaraza. Vy'ukuri, ukudahana ivyaha ni intambamyi nini rwose y'amahoro. Turasavye Leta, ntirenze urho rw'amazi ku maborogo y'abiyamiriza ukudahana ivyaha. Kuko ukudahana ivyaha gutera agasibe mu mitima. Abantu bagatara mu nda bagatarura akaboze. Kabaruhira kwihanira n'ukwihora. Kandi tukaba tuzi ko urwihorahorane rwamaze umuryango. Turashima rero icipfuzo, kiza kirashikirizwa, c'ugusabana ikigongwe. Ariko ntikibe ikigongwe c'ikivunga, hamwe abantu bavuga mu bijandijandi bati : « **twese twaracumuye ; none**

dusabane ikigongwe ». Ikigongwe gikiza, ni kirya gitangwa, harya nyene ugucumura aba yadomye urutoki ikibi ciwe, akakigaya icese. Akemera kugorora ivyagoramye.

Iyo ntambwe na yo tuyemere. Ntitumere nk'urima, atinya kurandura urwiri. Agapfa kuruzikirako. Akavura kaguye, rwa rwiri rukaza ruramana, rukaniga ibiterwa, mbere rugatuma n'isi itamera. Ni vyiza ko amasezerano ya Arusha yategekanije umurwi w'ugufasha Abarundi kudoma urutoki inabi bakoze n'ugusabana ikigongwe. Turasavye mbere ko iyo mirwi, aho iri hose, yobamwo abashingantahe batiwe, bofasha nga Abarundi basubize hamwe, baciye mu kuri n'ubutungane. Ahandi ho **kwoba ari ugusigana inkore ku maso.**

Natwe, Inama Nkuru y'Abashingantahe, turasubiriye gusaba ko umurwi mpuzamakungu w'ukudufasha gutohoza ubwicanyi n'ubushimusi bwasinzikaje igihugu, woteba ukaza.
Twebwe turabukorako tugasha. None rero, ko Amasezerano ya Arusha abisaba, amakungu akaba yaremeye kudufasha gushira mu ngiro ivyashinzwe na yo, turasavye ababifisemwo ijambo, babikerebukemwo rwose. Nta gihugu gishobora kuba igihugu, cubakiwe ku kudahana ivyaha. Utwara wese arakenera kubona ko abo atwara babana neza, ata wandya wangura. Ahandi ho Leta yo nyene yohava igumaitukwa ngi ni inshimusi; ngo ni inyambuzi; ngo ni inyicanyi.

Dufate akandi karorero; igiturire cabaye ndanse. Ubu uwegereye umukozi wa Leta, rimwe rimwe agenda atekeye. Agasigurirwa amategeko yose, ariko igikuru ari amananiza arimwo, kugira ngo nyene ugukenera abakuru agire babone. Atebe akore muri ntibate, yikokore kandi aje gusaba ibintu vy'itegeko, atangira ikori. Gurtyo agaca abona ko ikori atanga ari iryo ugushikanira abakuru, ngo bamererwe neza. Na we abakeneye, asubire gutanga ayandi mahera y'iruhande. Abasokuru ni bayamaze bati « agasiga kabera mu nzige ukuzirya ». Uwo mugani bawuca babonye abakuru barya igihugu. Bakabagereranya n'ako gasiga kagenewe kurya izo nzige. Izo na zo ukamengo zaremewe kuribwa n'ako gasiga. Ngo akabi gatwengwa nk'akeza.

Turavye ugutegura kazoza na kwo, turashima rwose ko abakuru benshi bipfuza ko amatora yobera kw'isango ryategekanijwe n'amasezerano y'i Arusha ; kugira tuve mu gihe c'imfatakibanza, tudogadoge intwaro rusangi, itwubakire igihugu gishoboka ; twige kubana nk'abana b'abantu, kuk tumaze imyaka 40 yose, turushanywa kubana nk'ibikoko, agateka ka muntu kakaba umugani. Ariko ku biraba amatora, umwanya ni muto. Na burya tuzotegura ibwirizwa shingiro tukaryemeza. Tukumvikana kw'ibwirizwa rizogenga amatora. Tugatohoza ababa mu gihugu bose, tukamenya abafise uburenganzira bwo gutora n'abatabufise. Tugashinga umurwi, wigenga w'ugucungera amatora. Impinga iracari ndende. Ariko tubishizemwo ishaka ry'ukunagura iki gihugu, vyokunda. Kuko ga, igihugu cararushe rwose, carashaye cashangaye. Kirakeneye icogishayura ningoga. Tubonye na ho igihe kidakwiye tukabivugana twese, atari umurwi mutoyi w'abatwara uvyihereranije, kakaba akamizwe n'ingoma. Turakwiye mbere kugira inama nyinshi z'ukwumvikanisha abanyamigambwe n'imihari, hamwe n'abatari muri yo : abemeje amasezerano n'abataragira ico babazwa. Maze tukumvikana ingene twosubiza hamwe, imbere y'ukuja mu matora. N'igihe cayo tukakidogadogera hamwe. Tukazotora dufise umutima mu nda, ahandi ho yoba inkwezi y'ayandi marere, nkuko twavyiboneyeko.

Baca umuganiii mu kirundi ngo « igiti nticogukora mu jisho kabiri » kandi ngo «igikoba cikwegera amakara».

Na mwe, Bashingantahe, bapfasoni mwatiwe, dusangiye ibanga, tumere magabo. Iki gihe, ni igihe gihambaye rwose. Kibaye neza, n'ibizokurikira bizokunda. Kiduciye mu mwanya w'intoke naho, amabi yovamwo ntitwoyitura. Hamwe twama tuvyemeranya, mugerageze guhuriza mu kuri, mu butungane n'umubano mwiza, abahunguka, abateshejwe izabo n'abaziguyemwo. **Kugira ngo bumvikane ingene bonagura imigenderanire yabo**. Igihe c'ugusubiza hamwe cageze. Ariko bice mu kuri n'ubutungane. Amatongo atungwe na bene yo. Ibintu bitahe kwa nyene vyo. Intahe ni co ivuga. Ibidukikije bisonerwe, kuko ni vyo tuzeyeko ubuzima. Ubu ni igihe c'uko abantu b'intungane bibonekeza, kandi bakagwira, kugira ngo baremeshe abahuha, bafashe igihugu kuvayo; bafashe kunagura imigenderanire ya bene Burundi. Noneho ingoga zacu zaragwiriye, kuva aho abapfasoni bagiriye uruhara rusumbirije mu rwego rw'abashingantahe.

Imbere y'ugusozera, turasavye Leta ngo ishire ku mutima ubutumwa Inama Nkuru y'Abashingantahe yayishikirije. Ubwo butumwa bwasaba ko urwego rw'Abashingantahe rwokwemezwa mu buryo bwanditse, aho rwogumye ari iragi ry'abasokuru, rihanahanwa ku rurimi. Ubu turi mu majambere ashingiye ku vyandiko. Ibikuru birandikwa. Ico dusaba rero, ni uko urwego rw'Abashingantahe rwoja mw'ibwirizwa Shingiro. Abakuru babijejwe barafise impapuro zibisigura kandi zerekana neza ico twifuza. Turizeye ko bazobigumiza ku muzirikanyi.

Dusozereye dusaba indavyi ngo irabe Uburundi ishimitse rwose muri ayo mayirabiri tugezemwo. Tugeze muri Karinga na Magoma. Tubwirizwa kuhaca neza nka ca gikere cagwa mu mata, kigatababiza, Uko gitababije kukaba ariko gikubise ayo mata. N'ayo mata agateba akavyara amavuta. Gushika hamwe acika isoro nyaryo riremye. Ca gikere kigaca kiduga kuri iryo soro, kikagorora ubuyonga ; kikambara urubega, kikaduza agatugu, kikitahira. Ngo dufashanye. Tugire gurtyo. Ntitwaguye mu bumara bwo nyene. Hari imigenzo myinshi tugifise, twohagararako, ikatubera nk'ayo mata, yoteba akavyara amavuta.

Imana ni ihezagire Uburundi

Vyandikiwe i Bujumbura, ku wa 15 Kigarama 2003

Patiri Adriyano NTABONA	Zéno MANIRAKIZA
Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe	Icegera c'Umukuru w'Inama Nkuru y'Abashingantahe

Résumé : Communiqué N° : 10 : Cherchons la paix avec détermination

Le Burundi s'oriente petit à petit sur le chemin de la paix mais des comportements malheureux de certaines personnes constitue une entrave à ce processus. Le Conseil national des Bashingantahe dénonce la pratique des pots de vin qu fait des ravages dans le pays et souhaite voir cette institution figure dans la future Constitution de la République du Burundi . Il demande aux Bashingantahe de rester vigilants et d'exploiter les comportements qui ont toujours marqué cette institution.

Mots-clés : Accord, Burundi, communauté internationale, droit, guerre, massacre, négociations, paix, politique, rébellion,